# IMPUNZI N'ABASABA UBUHUNGIRO KU BUNTU



**Nimba udashobora gusubira mu gihugu cawe kubera ubwoba bwo guhohotezwa canke umutekano muke, twandikire. Abanyamategeko bagufasha ku buntu kugira ngo usabe ubuhungiro muri Repubulika ya Serubiya.**

**Guhabwa ubuhungiro ni uburenganzira bw'ibanze bw' umuntu wese, bigufasha gusaba ubuhungiro mu kindi gihugu, ukakibamwo vyemewe n'amategeko, ugutangura n' ubuzima bushasha mu gihe umutekano wawe woba ubangamiwe usubiye mu gihugu cawe.**

UNHCR
The UN Refugee Agency

ideas

+381 69 565 72 54

FUNGURA QR KODE KUGIRA URONKE UBUFASHA MU VY'AMATEGEKO.

## Ibi ni bimwe mu bituma ushobora guhabwa ubuhungiro:

- Ufise ubwoba bwo gusubira mu gihugu cawe kubera utinya guhohoterwa, gufungwa, canke kurenganywa (nko kubuzwa gukora, kwiga, kuvurwa, canke ihonyangwa ry' agateka kazinamuntu kawe) bivuye ku vy'iyumviro vya politike, idini, ubwoko, urukoba, inyifato ishingiye ku gitsina, kuba umwana canke umugore, canke wanse kwifatanya n'abaja mu ntambara canke abahohotera abandi.
- Uhunga intambara, umutekano muke utewe na politike canke amabi menshi mu gihugu cawe.
- Vyabaye bikenewe ko uhunga kugira mwikingire hamwe n'umuryango wawe kubera izindi ngorane zikomeye.



## Ni gute nshobora kuronka ubuhungiro muri Serubiya, kandi ni ubwahe bufasha mu vy' amategeko mfise mu nzira yo gusaba ubuhungiro?

Kugira ngo usabe ubuhungiro muri Serubiya, utegerezwa guca mu nzira yo gusaba ubuhungiro. Muri ico gihe, abayobozi b'igihugu baraba nimba ufise uburenganzira bwo guhabwa ubuhungiro, n'ubwoko bw'ubuhungiro ushobora guhabwa. Uburyo bwo gusaba ubuhungiro bugizwe n'intambwe zitanu, kandi birakenewe ko umenya ko ushobora kuronka ubufasha bw'abahanuzi mu bijanye n'amategeko ku ntambwe yose uba ugezeko. Birakenewe ko wibuka ko utari wenyene, hariho abajejwe kugufasha.

**INTAMBWE ZO MU NZIRA YO GUSABA UBUHUNGIRO**

**UBUFASHA MU BIJANYE N'AMATEGEKO BUTANGWA N'ABAHANUZI MU VY'AMATEGEKO BAKORERA IKIGO IDEAS**

1


## Urashikiriza icifuzo cawe co gusaba ubuhungiro muri Serubiya ku mupolisi.



- Nimba utazi neza ko ushaka ubuhungiro muri Serubiya, ushobora kuvugana n'abahanuzi b'amategeko baka gusigurira neza uko bigenda, bakakubwira ivyo utegerezwa kumenya kugira ufate ingingo ubifiseko ubumenyi bukwiye. Ivyo muyaga n'abahanuzi mu bijanye n'amategeko biguma mw'ibanga. Birakenewe ko ubwiza ukuri abahanuzi kugira ngo bashobore kugufasha no kuguhanura neza bihuye n'urubanza rwawe. Impanuro bazoguha zizogufasha kumenya nimba gusaba ubuhungiro muri Serubiya ari ingingo nziza kuri wewe.
- Abahanuzi mu bijanye n'amategeko bazogufasha gutanga ikete ryo gusaba ubuhungiro, hamwe no kuyaga nawe mu buryo buramvuye igituma wahunze igihugu cawe hamwe n'igituma bitoshoboka ko usubirayo.
- Urafise uburenganzira bwo gusaba ko umuhanuzi mu bijanye n'amategeko aguserukira aba ari umugabo canke umugore.
- Imbere yuko uja mu nzira yo gusaba ubuhungiro, abahanuzi mu bijanye n'amategeko bazoguha insiguro zikwiye ku ntambwe yose yo mu nzira yo gusaba ubuhungiro, hamwe n'uburenganzira bwawe n' amategeko akuranga.

## 2

**Mu gusaba ubuhungiro uriyandikisha, ababijejwe barafata ifoto yawe, bakakwereka naho utera ibikumu, ugatanga amazina yawe n'iyindi myidondoro ikuranga, ukerekana n'impapuro zikuranga.**



- Nimba utazi neza uko bigenda kugira uje mu nzira yo gusaba ubuhungiro, abahanuzi mu bijanye n'amategeko barashobora kugufasha canke bakaguherekeza ku biro vyigi polisi kugira ngo wiyandikishije. Hagize ikibazo kiba mu gihe co kwiyandikisha ata muhanuzi murikumwe, urashobora guhamagara umuhanuzi wawe mu bijanye n'amategeko kugira ngo agufashe.

# 3

**Kurungika ikete ryo gusaba ubuhungiro ku biro vy'abaraba ibijanye no gutanga ubuhungiro. Umaze kurirungika, uronka icemezo cuko uri mu nzira yo gusaba ubuhungiro, bikwemerera kuguma muri Serubiya biciye mu mategeko kandi ufise uburenganzira bwo kuronswa serivisi zitandukanye.**



- Nimba wifuza guhagarikirwa uri mu nzira yo gusaba ubuhungiro, utegerezwa kuvyemeza mu gushirako umukono ku candiko giha ububasha umuhanuzi mu bijanye n'amategeko, akaba ari nawe aca aguhagarikira, akanagufasha kuri buri ntambwe yose yo mu nzira yo gusaba ubuhungiro.
- Iyo ikete ryawe ryo gusaba ubuhungiro rimaze kurungikwa ku biro vy'abaraba ibijanye no gutanga ubuhungiro, uca uhabwa igapuro cemeza ko uri mu nzira yo gusaba ubuhungiro, bikanemeza ko ufise uburenganzira bwemewe n'amategeko bwo kuguma muri Serubiya,hamwe no kuronswa serivisi nk'iz' umunyagihugu zijanye nk'ubuvuzi, kwiga, hamwe n'uburenganzira bwo gukora nyuma y'amezi atandatu.

# 4

**Inyuma y'ikiringo gito, uzohamagarwa kugenda kwitaba abayobozi baraba ibijanye no gutanga ubuhungiro. Muri ico gihe, bizoba ngombwa ko usigura neza imvo zatumye uhunga igihugu cawe hamwe n'igituma udashobora gusubirayo.**




- Abahanuzi mu bijanye n'amategeko bazokumenyesha itariki yo kwitaba abashinzwe ibijanye nivyo gutanga ubuhungiro, hama mwicarane imbere kugira ngo bagutegure ku bijanye nivyo uzobazwa ku musi wagiye kwitaba.
- Ibivugwa ku musi witavye birakomeye cane, nico gituma bagufasha kwitegura. Hazoba hari umusiguzi agusigurira mu kirimi cawe, ubona udatahura neza ivyo umusiguzi avuga canke mudatahurana, usabwe kubimenyesha vyihuse umuhanuzi wawe.
- Umusi wo kw'itaba, umuhanuzi wawe azoba ahari kugira ngo agushigikire. Uzokwumvirizwa n'umukozi wo mu biro vy'abaraba ibijanye no gutanga ubuhungiro, ariko umuhanuzi wawe mu bijanye n'amategeko ashobora kukubaza ibibazo mu mpera z'ikiganiro kugira ngo bifashe uwakwumvirije gutahura neza ikibazo cawe. Birasabwe ko ushikiriza ivya kubayeko mukuri kandi neza mu gihe uriko urumvirizwa. Ivyo vyose bishobora kumara amasaha make, nico gituma wemerewe kumenyesha umuhanuzi wawe nimba ukeneye akaruhuko canke ufise ikindi kintu wifuza.

# 5

**Inyuma yo kwitaba, abo bayobozi bazokumenyesha icemezo cabo ku vyerekeye ubuhungiro bwawe.**



- Icemezo gishobora kuba ciza, ugahabwa ubuhungiro muri Serubiya. Hama ukamenyeshwa neza intambwe zose zikurikira hamwe n'uburenganzira bwawe.

# 6

**Iyo icemezo cafashwe ari yuko utahawe ubuhungiro, urafise uburenganzira bwo kwunguruza, kandi abahanuzi mu bijanye n'amategeko bashobora kugufasha muri izo ntambwe zose.**






- Mu gihe icemezo atari ciza ntuhabwe ubuhungiro, ukaba wemeza ko hari ikosa ryakozwe, ushobora kubimenyesha bagasubiramwo kwiga icemezo cafashwe. Umuhanuzi wawe mu bijanye n'amategeko aragufasha kandi mu kwandikira ibiro kibijejwe. Mwico gihe urindiriye ikindi cemezo, bifatwa ko ukiri mu nzira yo gusaba ubuhungiro, uba ugifise bwa burenganzira wari usanganywe , kandi ushobora kuguma muri Serubiya mu mutekano.
- Nimba ata muhanuzi mu bijanye n' amategeko warufise mu gihe udahawe ubuhungiro, duhamagare mu maguru masha. Uburenganzira bwo kumenyesha ko utashimye icemezo cafashwe ni iminsi 15 uhereye k'umunsi uhawe icemezo.

## Uronswa gute ubufasha mu bijanye n'amategeko butangwa ku buntu n' ikigo IDEAS?

Hari uburyo bwinshi bwo kuronka ubufasha mu bijanye n'amategeko ku buntu.

- Hamagara ikigo IDEAS kuri telefone canke ubarondere uciye ku rubuga rwa facebook.
- Egera abahanuzi mu bijanye n'amategeko b'ikigo ca IDEAS bagendera amakambi ku misi yashinzwe.
- Egera abakozi b'ikambi ubamwo, canke abakozi bama ONG atandukanye akorera mwiyo kambi nka CRPC, Sigma Plus, Indigo canke UNHCR, ubabwire ko wifuza uwugufasha ku buntu mu bijanye n'amategeko.

Mu kiganiro ca mbere uzogirana n'abahanuzi mu bijanye n'amategeko, uzobasigurira icatumye uva mu gihugu cawe n'igituma udashobora gusubirayo. Ibi bizobafasha kumenya nimba bashobora kuguhagarikira.
Naho badashobora kuguhagarikira, bababandanya baguha amakuru ukeneye kumenya ku bijanye n'uburyo bwo gusaba ubuhungiro, uvyifuza, bongere banaguhe impanuro ku kuntu woronswa ukanakingira uburenganzira bwawe. Ikindi kandi, wibuke ko ivya vuzwe vyose hagati yawe n'umuhanuzi biguma mw'ibanga kiretse utanze uruhusha rwuko bivugwa.

**Mwibuke ko ikigo IDEAS gikorana na HCR, ubufasha bwose muronswa ari ku buntu!**

Mushobora kurondera IDEAS kuri:
Telefone: +381 69 565 72 54
Facebook: @IDEASLegalAid
Email: legalaid@ideje.rs